LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

*N°539 Co kuva kuwa 10 gushika 16 Myandagaro 2026*

Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 16 Myandagaro2026, abantu bashika 876 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 789 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0. INTANGAMARARA*........................................5


*I. UMWIHWEZO*........................................5

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI PORITIKE*........................................9

*III. UBURENGANZIRA BW'IMIBANO'UBUTUNZI N'IMICO KAMA*........................................11

*IV.UGUSOZERA N'IBISABWA*........................................12

*INDINGANIZO NSHASHA YO Y'INTWARO KUVA KUWA16 NTARANTE 2023*



**CDS** **: Ikigo c'ubuvuzi**

**CECI** **: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora muri komine**

**CEPI** **: Umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora mu ntara**

**CNDD-FDD :** *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunanirukingira intwaro rusangi (umugambwe uri ku butegetsi)*

**CNL** **: Ihuriro ry'igihugu riharanira umwidegemvyo**

**DCE** **: Ubuyobozi bw'indero muri komine**

**DPE** **: Ubuyobozi bw'indero mu ntara**

**ECOFO** **:** Ishure shingiro

**OBR** **:** Ikigo kijejwe amakori mu Burundi

**RDC** **:** République Démocratique du Congo

*URUTONDE RW'IBIRIMWO*


*0.INTANGAMARARA........................................................................................................5*

*I.UMWIHWEZO................................................................................................................5*

*I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE.........................................................................................5*

*I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO .........................................................................................6*

*I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO........... ..............................................................................7*

*I.4. UMWIHWEZO W'UBUVUZI ..............................................................................................8*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURIPORITIKE ..........................................................9*

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA...........................................................................9

II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE.....................9

II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA ....................................................10

II.2.1. UGUSHURASHUZWA.............................................................................10

II.3. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO ...........................................................10

II.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO...............................................10

III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA.......................................11

III.1.UBURENGANZIRA KU NDERO ..................................................................... 11

IV. UGUSOZERA N'IBISABWA.......................................................................12

## *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi mundwi yo kuva kuwa 10 gushika ku wa 16 Myandagaro 2026.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka uranihweza ivya poritike,umutekano,intwaro hamwe n'amagara.Kirasuzuma kandi ibintu vyerekana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu no muri poritike vyaranze iyi ndwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryabonetse kandi katohojwe n'umuhari Iteka ameze ugukwirikira: n'imiburiburi abantu 5 bishwe bose batowe ibiziga,umwe yakorewe amabi afatiye ku gitsina,hamwe na 2 bahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Ahanini abikekwako ivyaha ni abo mu ntwaro,abaporisi,abo mw'iperereza hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe CNDD-FDD.

## *I. UMWIHWEZO*

### *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE*

**Ubuhinga bwo gutevya bugamije kugabanya akababaro k'abanyagihugu kubera babuze ifumbire itangwa n'ishirahamwe FOMI, muri komine Cankuzo, inrara ya Buhumuza.**

Kuwa 13 Myandagaro 2026, mu nzu y' amakoraniro y'ishure rikuru rya komine Cankuzo, riri hafi y'umurwa mukuru wa komine,umukuru wa zone, Bucumi Jean, yarahakoreshereje inama yagenewe ababa ku mutumba Cankuzo.Mu vyahigiwe harimwo ikoreshwa ry'amase ya nyabarega mu muryango wose,kubwa umukenyuro utera intege ukwimba nyabarega mu ndimo no mu bibanza vyo kwubaka.Uwo murongozi yamenyesheje ko abantu batimba nyabarega mu matongo yabo batazoshobora kuronswa ica ngombwa na kimwe co muri zone canke komine.Vyongeye,ntibazonaronswa ifumbire itangwa n'ishirahamwe FOMI, harimwo urupapuro rwerekana ko ufise nyabarega rutangwa n'umwigisha w'indimo canke umukuru w'umutumba.

Kubwo ivyabona vyari bihari, Jean Bucumi yagirishije inama y'uguhimiriza,mugihe yiketswe n'abanyagihugu bo mu Cankuzo kuvyerekeye ukwivanga kwiwe mu gutanga udupapuro twa FOMI,tutatanzwe mu banyagihugu kuva muri 2022.Mu mwaka w'irima C,nta muntu n'umwe wo mu Cankuzo yarose umufuko w'ifumbire FOMI, ibishobora kugabanya biboneka umwimbu w'uburimyi.Ku rundi ruhande,umukuru wa zone yaremeje ko umutekano wari ukwiye kandi yibukije akamaro k'amabwirizwa y'isuku,ko gushira amabuye ku mkrngera y' amabarabara y'ikaburimbo,ko gutera ibiti vy'amavoka hamwe n'ivyo ikawa,hamwe n'ako guterera ku gahato mu gice ca kabiri kugira hubakwe ibiro vy'intara bigeretse gatanu.

**Amanama y'umugambwe CNDD-FDD muri komine Gisagara mu ntara ya Buhumuza.**

Umugambwe CNDD-FDD wagize inama zibiri muri zone de Gisagara, iri muri komine Gisagara, mu ntara ya Buhumuza, kuwa 13 Myandagaro 2026. Imwe muri zo nama yari yerekeye urwaruka rw'Imbonerakure, mugie iyindi yaraba abakenyererarugamba. Inama ya mbere yari ifise intumbero yo gutegura umunsi wo kwerekana inkomezi z'umugambwe uri ku butegetsi,uzoba kuwa 21 Myandagaro 2026,muri zona Bumba ,muri iyo komine nyene. Iyo myiteguro yatewe iteka na nyakwubahwa Shabani NIMUBONA, yaboneyeho gusaba urwaruka rw' imbonerakure kuba inkingi z'iterambere. Yongeye ko ari itegeko guseruka ahantu hose kandi umwanya wose.L Inama ya kabiri yari

## I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE *(Ibikurikikira urupapuro rwa 5)*

ifise intumbero yo guhamagarira abakenyezi kwitabira amatora yimirije.a

Umupfasoni Béatrice HAKIZIMANA, arongoye umuhari w'abakemnyezi mu ntara ya Buhumuza, yashimangiye ku bakenyezi hakenewe ko baja muri poritike gusumba mu ntumbero yo gutora no gutorwa. Ku rundi ruhande,iyindi nama y'umugambwe uri ku butegetsi yabereye muri zone Butezi, muri komine Ruyigi. Iyo nama yegeranije abanywanyi b'umugambwe mu ntumbero yo kubereka inzengo nshasha zo muri komine ziheruka gutorwa.

Umushingantahe NIYONZIMA Sylvestre,indongozi nshasha z'umugambwe,yaboneyeho akaryo ko gutumi-

## I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO

### Abaporisi n' Imbonerakure bahungabanya umutekano w'abanyagihugu kubw'ibihuha vyo guterwa n'abanyamahanga

Kuva mu ntango za Myandagaro,abanyagihugu baba i Bujumbura bahuye n'ihungabana ryinshi zijanye n' imibano hamwe n'ubutunzi aho Imbonerakure zirwiza imyimenyerezo ya gisirikare kandi ivyo bikabera mu mazone n'imitumba ya Bujumbura. Amasoko yaho amenyeshako iminsi yose kuwa kane,kuwa gatandatu no kuwa mungu,ivyo bikorwa bibera mu Bukinanyana, Mpanda, Cibitoke na Mugina. Iyo myimenyerezo yabaye kenshi hagati y'isaha umunani n'isaha cumi n'mwe y' igitondo,bigahungabanya abahaba baruhutse, basinziriye.Muri iyo myimenyerezo,amajambo y'urwanko rufatiye ku moko,ugukoresha ibirwanisho ndetse n' ubuhinganbw'indwano vyarakozwe;akarorero ka hafi ni ak'ibikorwa aho umwe wo mu masoko yacu yagiyemwo kuwa 13 Myandagaro 2026 muri zone Rugajo yo muri komine Mugina.

Iyo bwije, Imbonerakure n'abaporisi bahungabanya uruja n'uruza,urudandazwa kandi bagakubita abantu ngo ni ukwo batagira karangamuntu iyo batabahaye amahera babasaba y'igiturire. Ku bantu babeshejweho n'urudandaza ruciriritse hagati ya cumi n'imwe na n'isaha zibiri Imbonerakure zibirukaki n'abaporisi bafata ibidandazwa kenshi bakanonona ibidandazwa vyabo.

Mu gihe Imbonerakure n'abaporisi bahungabanya umutekano bari bajejwe gucungera,abasirikare bajejwe gukingira igihugu ibitero vyose bari mu gukizura mu mazone y'ubutare yo mu makomine Bukinanyana, Cibitoke na Mugina aho nahonyene; ubusuma,ugukubita abanyagihugu bivugwa.

Abanyagihugu biyamiriza ivyo bikorwa vyose kandi bagafata ko ivyo bihuha ari ubundi buryo bw'intwaro yo kworohereza Imbonerakure, abaporisi n'abasirikare kwikinga inyuma y'ivyo bihuha ngo bironderere inyungunzabo mu gutoteza umunyagihugu.

## Ukwonona imva muri komine Matongo mu natara ya Butanyerera

Kuwa14 Myandagaro 2026,hafi y'isaha umunani z'umuhingamo,ku mutumba Mudusi, muri Zone ya Mbirizi yo muri komine ya Matongo,mu ntara ya Butanyerera, abari mu nama ivanze y'umutekano ,irikumwe n'abaporisi bo ku kirindiro ca MBIRIZI, barahagaritse Barutwanayo Mélange, umuhungu wa NZEYIMANA Albert naNSENGIYUMVA Hilaire, w'imyaka 25. Iryo agarikwa ryabaye mu gihe yaravuye kumena imva y'umuhisi a eu NTABIRIHO Emmanuel, iri mw'itongo ry'abapfuye rya Kamurango, iri mu KAYANZA. Uwikekwako icaha ubu apfungiwe ku kirindiro co mu GATARA, kumvo z'amatohoza yimbitse.

### Ukurarira mw'ijoro bivugwa muri komine Gisuru.

Muri komine Gisuru, ugukizura ijoro vyama vyavuzwe aho urwaruka rw'Imbonerakure bambaye ibirato n' impunzu za gisikare biteye amakenga abanyagihugu. Biragoye gutandukanya urwaruka rw'Imbonerakure n'abajejwe umutekano.Rimwe rimwe urwo rwaruka rw' Imbonerakure ruratumwa urutoke mu guhonyanga agateka ka zina muntu.

Akarorero ka vuba ni ako kuwa 14 Myandagaro 2026 isaha zine z'ijoro,muri zone Nyabitare, ku mutumba wa Nyakirunga aho urwo rwaruka rwakubise uwitwa BURIKUKIYE Jérémie, umudandaza w'i Nyabitare. Uyu yagirijwe ko yarengeje amasaha yo kwugara mu bunywero bwiwe. Ababa muri ako karere barababazwa n'iyo nyifato runyamaswa y'urwo rwarukaruri mu mugambweuri ku butegetsi. Ntibatahura ingene urwo rwaruka rufata ingingo nkiyo mugihe intwaro zitigeze zivuga amasaha yo kwugara.

*I.3. UMWIHWEZO W'INTWARO*

**Akababaro k'abarimyi kubwo kubura imbuto z'ibigori i Bugendana**

Muri komine Bugendana yo mu ntara ya Gitega, abarimyi batari bake barababajwen'ikena ry'imbuto y'ibigori vyo gutera mu mwonga. Ivyo vyabaye cane cane muri zone Rwisabi. Nkuko umurimyi waho yabishikirije, imbuto zo mu bwoko bwa PAN 53 zariho kuva mu mpera z'ukwezi kwa Ruheshi.

Naho biri ukwo ,avuga ko Habumukiza Floribert, arongoye zone ya Rwisabi, Manirambona Daniel, umuyobozi w'igista c'ibidukikije,uburimyi n'ubworozi muri komine Bugendana, hamwe n'abarongoye umugambwe Cndd-Fdd ahonyene,batanguye kubitanga mu gifuri atanumwe abimenye. Kubwo iryo soko nyene, akagunira k'ibiro 2 , bizwi ko kagurwa 9 000 FBu, koba ubu kagurishwa n'abamwe mu babironse amahera ari hagati ya 35 000 na 40 000 FBu. Abarimyi bashikiriza amakenga yabo ko ukwo gucerwa gushobora gusubiza inyuma igihe c'irima.

Bashimangira ko muri iki gihe c'umwaka,ibigori vyarimwe mu mwonga vyategerezwa kuba vyamaze gukura,mu gihe mu kwezi kwa Gitugutu kwamye ari ukwezi kwo gutera umuceri,ivyobishobora guhungabanya ibikorwa bijanye n'ibiterwa bikurikira.

*I.4. UMWIHWEZO W'IGISATA C'AMAGARA Y'ABANTU*

**Amakenga aterwa n'ingorane ziva kuri Ebola,uruja n'uruza ku mbibe z'ikiyaga ca Tanganyika n' ikena ry'amazi mu ntara ya Burunga.**

Abarongoye igisata c'amagara y'abantu,bazi irwirirana ry'ikiza ca Ebola muri Repuburika Iharanira Demokarasi ya Kongo,batinya ko ishobora kurandagata iza mu Burundi. Mw'iyo ntumbero itoroshe,basba gukomeza ingingo zo kugenzura ingezi ziva muri Kongo.

Ayo makenga yongerezwa n'intahe z'abarovyi b'i Nyanza, bashira imbere ukubura amakuru atomoye hamwe n'ibikoresho vyo kwamuganga bibereye mu kujabuka kwabo kw'izo nkengera zibiri z'ikiyaga. Abakozi bo mu gista c'amagara y'abantu bamenyesha kandi ko hakenewe vyihuta: kwongereza uburyo bwo gushika ku kigo c'ubuvuzi ca Mudubugu,kiboneka ko iri yonyene kugira ishobore gufasha abanyagihugu barwaye bayitura. Muganga Jérôme Niyongabo, arongoye igista c'amagara y'abantu mu ntara ,atera kamo ku ngorane zishobora kwaduka zo kwandura mu mazone ari kure,bishobora gutera ikibazo mu kurungika abarwayi mu bitaro.

Ivyankenerwa biribonekeza: ingingo zimfatakibanza ziterezwa gukomezwa. Kuri imvo,abaforoma basaba gushiraho ibisata vy'inyongera vyo kuvura vyegereye amazone ashobora kwandura gusumba ayandi,muntumbero yo kugabanya umwanya wo hagati yaho indwara yiketswe hamwe no kumurungika mu bitaro bifise ubushobozi.Ivyo birihutirwa cane mu gihe uruja n'uruza hagati ya RDC n'Uburundi rutera rurwira, ko ku kiyaga cane cane ku kiyaga Tanganyika. Abarovyi b'i Nyanza, bari mubanyagihugu bashobora kwandura, baremera ko bakorana cane na bagenzi babo bo muri kongo kandi bamwe baragenda gushika mukarere ka barovyi k'abanyekongo.Abo basaba umwanya wo kubasigurira hamwe n'ivyuma bisuzuma amagara yabo bagarutse,kugira harwanywe ko umuntu yoba yaje yanduye atotaha bunonyene iwe,kuk ashobora kwanduza umuryango wiwe n'ikibano.

Kuri ukwo guhakwa kwandura kubera uruja n'uruza ku mbibe,hiyongerako ikena ry'amazi riri mu burere bumwe bumwe.Naho ikena ry'amazi ritanjanye n'ukwandura Ebola,rirabuza ingingo nyamukuru zo kwikingira no kugenzura,nko gukaraba iminwe hamwe n'utuzu twa surwumwe mu bigo vy'ubuvuzi. Mu miryango bamaze kubura amazi,ikiza kirashobora kwongereza ingorane abanyagihugu bahura mu bigo vy'ubuvuzi.

Ni kuri iyo mvo,Muganga Niyongabo ahamagarira kurikanura cane ku baporisi hamwe n'ikigo cegerana amakori mu Burundi,asaba gukomeza gusuzuma ingenzi, harimwo nomw'ijoro.Indongozi z'amakomine ari ku rubibenabobategerezwa kwigisha abanyagihugu akamaro ko kumenyesha abashitse bavue muri Kongo kugirango bajane abo bantu ku bigo bibijejwe.

Ku bakozi b'igisata c'amagar y'abantu,vyari bikwiye gukorwa kare,ariko ntiborindira ko umuntu wa mbere ayirwaye aboneka.

Ukwegerana na RDC,uruja n'uruza rwa minsi yose,ukuba kure kw'ikigo c'ubuvuzi co ku Mudubugu, ukubura ihimiriza,ndetse n'ikena ry'amazi,ni vyo bituma ikiza gishobora kwaduka. Birihutirwa ,i Nyanza,mu Rumonge hamwe n'ayandi mazone bihana imbibe,gukomeza utwigoro two kwikingira mu miryango,kuko bose amagara yabo azoba meza bivanye n'uko bigenjeje.

**Ubusuma bw'imfungurwa vy'abafise indwara yo kurya nabi buteye amakenga ku kurya nabi kw'abana biguma vyisubiriza**

Abarongoye ibigo bimwe bimwe mu ntara ya Burunga bagirizwa kunyuruza hanyuma bagasubira kudandaza imfungurwa zigenewe abana bafise indwara yo gufungura nabi. Ku bwo amasoko yo mu gista c'amagara y'abantu , bimwe bimwe bijanwa mu mazu y' ubudandarizo hanyuma bikaribwa n'abana badafise indwara yo kurya nabi. Ivyo vyamenyekanye mugihe abafungura nabi baguma ari benshi kandi ko n'indwara y' igisukari mu bana nayo yamenyekanye muri iyi minsi,bitera ayandi makenga mu gisata c' ubuvuzi.

Mu burere bwinshi bw'ubuvuzi bw'i Burunga, amasoko yo mu gisata c'ubuvuzi ariyamiriza ubusuma bw'imfungurwa z'abafungura nabi des sources du secteur de la santé dé zigenewe abana bafise iyo ndwara.Kubwo ayo masoko nyene,indongozi zimwe zimwe zo mu gisata c'amagar ay'abantu zitora izo mfungurwa, kenshi ntanganguvu,hamwe na ndemamubiri, naho ziba zari zigenewe abana bariku rutonde rw'ababigenewe.Igice kimwe coba kigurishwa mu mazu y'ubudandarizo hanyum zikagurwa n'imiryango y'aban bafise amagra meza.

Ayo masoko nyene avuga kandi uguhindura ibiharuro vy'abana barwaye indwara yo gufungura nabi. Igitigiri c'abana bafungura nabi gitangwa, rimwe rimwe,kiba kinini kugira ngo baronke imfungurwa zibagenewe nyinshi,aho igiciro c'ivyasabwe rimwe rimwe rishobora kuba amamiriyoni menshi y'amahera y'amarundi.

Ivyo bifise ingaruka ku bana vyukuri bafungura nabi. Ibitigiri vy'imfungurwa zabagenewe zishobora kuba nke, mugihe ubiko bwoba bwakoreshejwe mu nzira zitateguwe.

Amasoko aranegura kandi ingorane zo kubikurikirana. Yemeza ko uwo mugenzo wamyeho haciye imyaka myinshi nahohariho,ku gice c'uburere bw' ubuvuzi,abajejwe gkurikirana ugufungura nabi.Bavuga mbere urwikeko nk'urwo kubiti imwe imwe igenewe abarwayi.Ukurya izo mfungurwa zivura ku bana batarwaye batandikiwe na muganga, birateye umutima uhagaze mu bajejwe amagara y'abantu. Ayo makenga aje mu gihe,indwara y'igisukari yibonekeje ku bana yamenyekanye muri iyi minsi i Burunga. Ariko,natamatohoza yakozwe kugira haboneke isano riri hagati yo gufungura izo mfungurwa zivura zibwe hamwe n'iyo ndwara y'igisukari yibonekeje ku bana.

Kubw'ivyo bagirizwa,amatohoza yo mu ntwaro,ndetse n'ay'ubutungane yobafasha guhinyuza ibitigiri vyasabwe,ivyo baronse n'ivyatanzwe,kugeranya intonde z'abana baronswa izo mfungurwa hamwe n'ibiri ku rubuga hamwe no kuraba iyo ububiko bwagiye.Kubwo abaronozi bamwe bamwe b'ubuvuzi,vyofasha kandi kumenya nimba ibiharuro vy'abana bafungura nabi vyadugijwe kubushake bwabo hamwe no kuraba uburemere bw'ubusuma.

Icaha kirarenze gusesagura ububiko. Mu ntara aho ukurya nabi ku bana bibandanya gutera umutima uhagaze,indya imwe ivura yibwe ni kwaka umwana afungura nabi abura ivyo yarakeneye. Umuco mu tunganya ubutunzi uboneka gutyo ko ari nyamukuru mu gukingira abana hamwe no gukingira ubushobozi bwo kurwanya indwara yo kurya nabi.

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE N'ABANTU BATAMENYE-KANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*

**Ikiziga catowe muri komine Musongati mu ntara ya Burunga.**

Kuwa10 Myandagaro 2026, ku gacimbiri Muvumu, ku mutumba butezi,muri zone butezi, muri komine musongati,intara ya Burunga, ikiziga c'umugabo atamenyekanye caratowe. Intwaro zaho bafashijwe n'abo mumuryango ufasha imbabare baciye bamuhamba kuk yaratanguye kwononeka. Igiporisi kirabandanya amatohoza kugira bafate a abo bagizi ba nabi.

**Ikiziga c'umwana catowe muri komine Musongati mu ntara ya Burunga**

Kuwa15 Myandagaro 2026,ku mutumba Kabingo, muri zone Butezi,muri komine Musongati, mu ntara ya Burunga,ikiziga c' umwana yitwa Zabulon Shemezimana w' imyaka 6,yaratowe ku nkengera y'uruzi Mulagalazi. Kubwo ayo masoko yaho,kuwa 14 Myandagaro 2026, hafi y'isaha zibiri z'ijoro, umwana yahamagawe n'umugabo atamenyekanye yari yinyegeje inyuma y'inzu,hanyuma umwana ntiyagaruka. Ikiziga ciwe cariko ibikomere mw'izosi nkuko zoba ari inzara z'umuntu bibonekako yanizwe.

**Ikiziga catowe muri komine Ngozi mu ntara ya Butanyerera**

Kuwa12 Myandagaro,ku mutumba Kinyami, komine Ngozi,mu ntara ya Butanyerera, ikiziga ca Nduwimana Gaston,w'imyaka 40 caratowe mu kinogo kinini kiri ku metero 3 uvuye aho yaba. Kubw ivyabona vyo muri ako karere,umugore w'umuhisi yitwa Mpawenimana hamwe n'abana biwe bane bavuga ko umuhisi yatashe hafi yisaha zine z'ijoro hanyuma ashira terefone ku meza aca arasohoka kandi ntiyigeze agaruka. Ikiziga catowe munsi mu kinogo hanyuma indongozi zaho zivuga ko amatohoza yatanguye.

**Ikiziga catowe muri komine mu ntara ya Butanyerera**

Kuwa14Myandagaro2026,mukiyaga Cohoha, ku mutumba Kigina, muri zone Kigina, muri komine Kirundo, mu ntara ya Butanyerera, ikiziga cc'umuntu atamenyekanye caratowe muri ico kiyaga kireremba hejuru. Kubwo ivyabona vyo mu karere,abarovyi igihe bamubona irya mbere,baratabaje indongozi zaho harimwo uwurongoye zone Murindangabo Prosper hamwe na komiseri wo muri komine n'inyamurabamiyo uri zone Kigina barahaserutse. Inyuma yo kumukura mu mazi,ikiziga ntagikomere cari gifise kandi ntanumwe yarafiyarafise uburenganzira bwo gufata ifoto natana ,ntana kamera vyari vyemewe. Itegeko rivuye mu ntara ya

## *II.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA* *(Ibikurikira urupapuro 9)*

Butanyerera ryafashije guhamba ico kiziga ku nkengera y'ico kiyaga. Ivyo vyabona nyene vyabonye ico kiziga vyemeza ko yoba yavanywe ahandi hanyuma agatabwa mu kiyaga.

**Ikiziga c'umugabo catowe muri komine Gisuru mu ntara Buhumuza**

Kuwa11 Myandagaro 2026, ku mutumba Nyakibere, muri zone Kinyinya, muri komine Gisuru, mu ntara ya Buhumuza, ikiziga ca Manirambona Salvator, aba kuri uyoo mutumba yatowe amanitse mu gitondo,atorwa n'abahita bari bagiye mu mirima.

Kubwo amakuru yatororokanijwe ,yari arongoye inzu 10 aho yaba kandi yari mu mugambwe wa CNL.

Indongozi hamwe n'ababijejwe barashitse aho vyabereye.Amatohoza yaratanguye kugira hamenyekane imvo z'ubwo bwicanyi. Ikiziga c'umuhisi cashinguwe kuwa 12 Myandagaro 20206 n'umuryango wiwe ufadikanije n'indongozi.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA*

### *II.2.1. Ugufatwa ku nguvu*

### Umuntu yashurashujwe muri komine  Mukaza mu ntara ya  Bujumbura

Kuwa11 Myandagaro 2026, ku mutumba Nyakibere, muri zone Kinyinya, muri komine Gisuru, mu ntara ya Buhumuza, ikiziga ca Manirambona Salvator, aba kuri uyoo mutumba yatowe amanitse mu gitondo,atorwa n'abahita bari bagiye mu mirima.

Kubwo amakuru yatororokanijwe ,yari arongoye inzu 10 aho yaba kandi yari mu mugambwe wa CNL.

Indongozi hamwe n'ababijejwe barashitse aho vyabereye. Amatohoza yaratanguye kugira hamenyekane imvo z'ubwo bwicanyi. Ikiziga c'umuhisi cashinguwe kuwa 12 Myandagaro 20206 n'umuryango wiwe ufadikanije n'indongozi.

## *II.3. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA*

### *II.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KU BIRI N'AMATEGEKO*

### Indongozi zibiri zahagaritswe muri komine Bubanza mu ntara ya  Bujumbura

Kuwa 13 Myandagaro 2026,ku mutumba Mutara,muri zone Muzinda, muri komine  Bubanza mu ntara ya Bujumbura, abantu babiri harimwo umukuru wa zone Muzinda hamwe n'indongozi z'imitumba  hamwe n' uducimbiri ka Mutara barahagaritswe hanyuma bashirwa mu gasho ka zone  Muzinda.

Ukwo guhagarikwa,vyaje  inyuma y'igikorane kuri uyo mutumba nyene,aho haje abatumire 180 bavuye hanze,nko mu Rwanda, muri  Tanzanie, Kenya na Ouganda.

Indongozi zarabajijwe kuri ukwo kuza no kwakira abo banyamahanga mu ntumbero y'ikoraniro ry'ishengero ryitwa « Eglise baptiste réformée ».

Ubu bapfungiwe mu gasho ka zone Muzinda, Bakurikiranwa n'urubanza  rurongowe n'iperereza .

Kubwa indongozi za zone Muzinda, iyo sengero rirazwi imbere y'amategeko  mu mushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu,kandi hanyuma uruhusha  rwo kugira igikorane bararubahaye ku mugaragaro.Indongozi zahagaritswe zisaba kumenyeshwa ico bagirizwa kandi bakamenyeshako bahagaritswe hadakurikijwe amategeko.

## III.1. UBURENGANZIRA KU NDERO

### Itangwa ry'akazi k'abigisha bashasha5 000 kuri 14300 bakenewe

Kuwa12 Myandagaro 2026, mu nama nkuru y' abashikiranganji, Reta y'Uburundi yaremeje,integuro yo guha akazi abigisha 5000 bashasha bo mu mashure y'intango n'ay'isumbuye. Iyo ngingo ifise intumbero cane cane yo kwishura ikibazo c'ikena ry'abigisha babinonosoye mu gisata c'indero.

Itangwa ry'akazi riraba igihugu cose kandi rizotegurirwa mu bisata vy'indero mu makomine(DCE). Ufatiye ku biharuro vyashizwe ahabona n'ubushikiranganji bw'indero n'ubushakashatsi,igabanganwa ry'abigisha bashasha rizofatira ku vyihutirwa vyashikirijwe n'abayobozi b'indero mu ntara hamwe n'abayobozi b'amakomine.

Ubushikiranganji butegekanya gutanga akazi ku bigisha bafise impamyabushobozi zitandukanye nk'abigigisha 995 bafise impamyabushobozi D6,abigisha 2 538 bafise impamyabushobozi D7,22 bafise A2 hamwe n'abigisha 1445 afise impamyabushobozi za Kaminuza.

Mu ntumbero yo gukorera mu muco hamwe n' ukunganya umugisha,itangwa ry'akazi ryategerezwa gukorwa biciye mu kibazo. Imigwi ijejwe gtegura ico gikorwa yarashizweho kuva kuwa 14 Myandagaro 2026. Harimwo indongozi mu ntwaro hamwe no mu gisata c'indero hamwe n'abaserukira amashirahamwe y' abakozi.

Abasaba akazi bakoze ikibazo mu mwaka uheze kandi bari bari bagitoye,ntibategerezwa gusubira gukora ikibazo, kuko basanzwe bari ku ntonde z'abarindiriye.

Kubw'ivyo,imigwi yashizweho mu bushikiranganji bw'indero hamwe n'ubushakashatsi bategerezwa kuja, kuva kuwa 20 gushika kuwa 23 Myandagaro,mu biro bitandukanye vy'indero mu makomine kugira barabe neza izo ntonde.

Muri Mukakaro,ubushikiranganji bwasavye abarongoye ibiro vy'indero mu makomine gushira ahabona izo ntonde z'abarindiriye guhabwa akazi babicishije mu kuzimanika ahabigenewe.Ibiro bimwe bimwe vy'indero mu makomine baramaze kuzishira ahabona kandi banabimenyesha abasavye akazi vyega.

Kubwo amakuru yatanzwe mu namwa iherutse y' abashikiranganji,Uburundi bukeneye abigisha barenga 14 300 biyongera ku bahari naho Reta yari yahaye akazi uyu mwaka abigisha 5 000.

Ugutora ico gitigiri vyoba bifatiye cane cane ku buryo buhari mu kigega. Kubwo umunyamabanga mukuru akaba kandi n'umuvugizi wa Reta,ibahasha ry' amahera y'amarundi arenga imiriyaridi 17niyo yategekanijwe kugira itangwa ry'akazi ryorohe hamwe n'umushahara w'abigisha bashasha.

Iryo tangwa ry'akazi ryari ryamaze kuvugwamu ntumbero ry'impinduka nshasha zashizweho n' ubushikiranganji kugira riteze imbere ukungene inyigisho zitangwa mu Burundi.

Mw'iyi maka ya nyuma,mu mashure menshi abigisha babinonosoye baragiye,abakiri bato n'abafise uburambe. Igice co muri bo bavuye mu gihugu bagenda mu bihugu bibanyi,Iburaya ndetse no mu bihugu vy'abarab,ku rondera aho ubuzima bugendeka hamwe n'akazi.

Uburyo bubi abigisha b'abarundi bakoramwo nizo kenshi zivugwa nk'imwe mu mvo zo kugenda. Ingorane y'ubutunzi,irangwa no kunanirwa gushikira ibintu vya nkenerwa,ingorane z'amazi n'amatara, ingorane zo kubura igitoro hamwe n'iduga ry'ibiciro ndetse n'inzu zo gupanga,vyongereza ingorane abigisha bahura.

Benshi bemeza ko batagishoboye kuba muri ubwo buzima kandi bahisemwo guheba akazi kabo. Ivyo bitera ingaruka mbi zitumbera ku mashure, abanyeshure, babura abigisha.

Umugambi wo gutanga akazi wakiriwe neza na bamwe bamwe mu bahejeje amashure ya Kaminuza batagira akazi. Bizera ko ico gikorwa kizobaha amahigwe yo kwinjira mu gsata c'indero. Ariko,basaba ubushikiranganji bw'indero n'ubushakashatsi gukurikirana neza ico gikorwa mu ntumbero yo kurwanya akamwana wa mama hamwe no kwemerera abasaba akazi babikwiye boronswa akazi.

Kuri abo bafise izo mpamyabushobozi,ukugenda neza kw'igikorwa bizovana n'igitigiri c'abigisha bahaye akazi n'umuco mu gutanga akazi hamwe n' ubushobozi bwa Reta bwo gutanga akazi ifatiye ku bushobozi bwabo hamwe n'impamyabushobozi bafise.

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Ub*urundi :***

***1.***Gushiraho ubuhinga bukomeye ku ndongozi zo hasi mu ntwaro no muri poritike mu ntumbero yo gukinga amabi akorerwa abacaguwe mu bandi ;

2. Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo ha-towe ikiziga;

3.Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo;

4.Gufata ingingo zo gusezerera ukudahana amabi hamwe no guhasha abagirwa n' ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bakishura ivyaha vyabo.

Uwo uri wese ubahirizwa